COVID-19 impanuro ku miryango

Ibikorwa vy'ishuri muri *Greater Sydney

NSW Igisata c'Indero n'Ubumenyi NSW Igisata c'Amagara y'Abantu bariko barakorera hamwe kugira ngo batorere umuti COVID-19.

Dukurikije impanuro zitangwa na NSW amagara y'abantu yo kwigira muhira ziriho ku mashuri yo muri *Greater Sydney (harimwo no muri Blue Mountains, Central Coast, Wollongong and Shellharbour). Amashuri aruguruye ku banyeshuri bose abikeneye. Nimba umunyeshuri canke umuvyeyi canke umwana afise n'akantu gatoya k'ibimenyetso vya COVID-19 (COVID-19 symptoms) bategerezwa kutaja kw'ishuri kandi bategerezwa kutagaruka kugeza baronse inyishu yuko batanduye kandi ko badafise ibimenyetso.

Ibipfukamunwa n'amazuru hamwe no kwipfuka mu maso

Nubwo kw'ishuri ibipfukamunwa n'amazuru canke kwipfuka mu maso bikenewe ahantu hose imbere mu mazu:

- Abanyeshuri bose bo mu mwaka w' 7 n'abari hejuru y'uwo mwaka
- Abakozi bose

Hariho bimwe bidakoreshwa kuri aya mategeko. Usabwe rero kurabira ku mategeko yerekeranye n'ukwipfuka mu maso ku rubuga ngurukanabumenyi rwa Reta NSW (Face mask rules on the NSW Government website) ukeneye izindi nkuru zirenga izi tuguhaye.

Abashitsi

Abashitsi batari ngombwa ntibemerewe kuza aho abanyeshuri bari.

Abavyeyi n'abarezi bategerezwa gukurikiza amategeko n'impanuro y'ishuri ryabo ku bijanye n'impinduka ku gushikana abana kw'ishuri no kubatora kw'ishuri. Muri ivyo harimwo kuguma mu muduga igihe uba ushikanye umwana kw'ishuri n'igihe uba uje gutora umwana kw'ishuri nimba ari vyo bitanga umutekano ukwiriye. Ibi ntibirabana n'ukuzana umwana hamwe n'ukuza kumutora mu masaha abanyeshuri bataba bari kw'ishuri (Out of School Hours Care (OOSHC)) nk'uko amategeko y'ukwinjira 'ugusohoka abisaba, abitegekanya.

Abavyeyi bategerezwa:

- Gukurikiza impanuro zo guhana inta hagati y'umuntu n'uwundi aho baba bari mu micungararo yabo kandi birinde kurundana ku marembo y'ishuri.
- kuguma hanze y'ibibuga vy'ishuri- hariho bimwe biterwa n'ayo mategeko ku bijanye n'amashuri kubera intumbero kanaka zizwi (Schools for Specific Purposes (SSP)), abanyeshuri bafise ibibazo vy'amagara canke bagendana ubumuga.
- bategerezwa gukurikiza amategeko yo kwambara agapfukamunwa n'amazuru kandi bakemeza ko binjiye bakoresheje Service NSW QR code igihe binjiye kw'ishuri.

HSC abanyeshuri

HSC abanyeshuri bazoshigikirwa kugira ngo baje ku mashuri gukora ibikorwa vy'ishuri, imigambi y'ishuri hamwe no kwitegurira ibibazo igihe ivyo bidashobora gutegurirwa muhira. Abanyeshuri baza kw'ishuri bazosabwa gukurikiza amategeko akomeye y'imikorere y'ukudateza umutekano muke ya COVID.

Ibikorwa vy'umusobanuzi kuri telephone

Nimba ukeneye izindi nkuru zirengeye izi, usabwe guhamagara umuyobozi mukuru w'ishuri. Nimba ukeneye umusobanuzi wo kugufasha kugira ngo igisabo cawe gitahurike ku wo ugisaba usabwe guhamagara kuri serevisi z'umusobanuzi kuri telephone kuri 131 450 kandi uce usaba umusobanuzi mu rurimi rwawe. Ntuzorihishwa amahera kuri ivyo bikorwa vy'iyo serevisi.